Queensland
Good jobs
Better services
Great lifestyle




# Kindy muri Queensland

## Kindy niki ?

Kindergarten izwi nka kindy, n'umugambi w'inyigisho z'abana wigihe c'igice mu mwaka imbere yogutangura Prep (umwaka wambere w'ishuri muri Queensland). Kindy n'ikibanza aho umwana wawe uzokwigira biciye mukumenyera imikino n'imikoranire ifasha kwiga kwabo hakiri kare, kubaho neza no gutera imbere.

Mukwitabira kindy, abana bahungukira urukundo rwokwiga kandi bagakomezwa murugendo ruzobashitsa muri Prep.

Imigambi ya Kindy yemewe na Leta ya Queensland itangwa n'umwarimu yanonosoye kwigisha ivyigwa vy'abana bakiri bato. Imigambi ya kindy ishobora gutangirwa mubigo vy'inyigisho z'abana bakiri bato; mumashuri yatoranijwe ari mugiturage na kure n'ayandi mashuri ya leta yahiswemwo aho habonetse inzitizi zokubona kindergarten; kandi biciye ku nyigisho ukurikirana uri kure y'umwarimu canke eKindy kubana badashobora kugera ku kigo.

## Kwigira kuri kindy

Kindy iha abana amahirwe yo:

- Gukoresha ururimi mu kushikiriza ivyiyumviro, ivyiyumvo vyumutima n'ibikenewe
- kurondera abagenzi, kushikirana no kukorana n'abandi
- kumenya ingorane no kunguka ubumenyi bwogutorera inyishu ingorane
- kwigirira icizere no kwigenga muvyo bakora
- guhura nabandi, gushakisha no gutanga intererano mw'isi babamwo
- kubaka ubumenyi bwabo no gushakisha ivyiyumviro bishasha, bibafasha kubaka icizere cabo bigirira.

Warumvise ?

**Free KINDY from 2024**

**Free KINDY**

Queensland Government

# Uko biyandikisha

Muri Queensland, abana bashobora gutangura kwiga muri kindy mumwaka imbere yuko batangura Prep.

Buri serivisi iratandukanye kandi izindi zishobora kuba zifise urutonde rw'ukurindira, nivyiza kuvugana serivisi wahisemwo ivyerekeye umwanya mwiza wo kwandikisha umwana wawe.

Umwana wawe ategerezwa kuba afise imyaka 4 yamavuko kuva igenekerezo rya 30 Ruheshi mumwaka biyandikishijemwo kwiga muri kindy.

| Umwana yavutse | Umwana ashobora kwiga muri kindy |
|---|---|
| 1 Mukakaro 2019 gushika 30 Ruheshi 2020 | 2024 |
| 1 Mukakaro 2020 gushika 30 Ruheshi 2021 | 2025 |
| 1 Mukakaro 2021 gushika 30 Ruheshi 2022 | 2026 |
| 1 Mukakaro 2022 gushika 30 Ruheshi 2023 | 2027 |
| 1 Mukakaro 2023 gushika 30 Ruheshi 2024 | 2028 |
| 1 Mukakaro 2024 gushika 30 Ruheshi 2025 | 2029 |

Ivyo ukeneye kwandikisha umwana wawe:

- amazina y'umwana wawe na aderesi
- imyirondoro yanyu nk'abavyeyi biwe, umurezi canke umuntu amushinzwe
- imyirondoro y'amategeko ya sentare yoba yarashizweko canke amategeko y'ukurera canke izindi ngingo
- imyirondoro y'ilbindi vyoba bikenewe bifasha bisabwa (nk'akarorero, ubumuga, ibifungurwa bimumerera nabi canke ibindi bikenewe)
- icerekana itariki y'amavuko (nk'akarorero, icemezo c'amavuko)
- ubuzima n'urutonde rwerekana uko yacandazwe
- imyirondoro y'abantu bemerewe kutora umwana wawe n'abantu bogomba kumenyeshwa mugihe hari ivyihutirwa

Serivisi yawe izocunga mwibanga imyirondoro n'amakuru mwatanze kandi uzogira uburenganzira bwokubona ahabikiwe ibiranga umwana wawe.

Baza ikigo kikwegereye kitanga kindy ivyerekeye

**Free KiNDY from 2024**

# Guhitamwo gahunda ya kindy

Abana bose bo muri Queensland bemerewe kwiga muri gahunda ya kindergarten yemewe mumwaka imbere yuko batangura Prep.

Gahunda yemewe ya kindergarten iba ikwije ibisabwa na Leta, navyo ni:

- urutonde rw'inyigisho zitangwa n'abarimu banonosoye kwigisha abana bakiri bato,hakwirikijwe ibisabwa na Leta
- inyigisho zigatangwa amasaha 15 mundwi, indwi 40 mumwaka, kubana mumwaka imbere yogutangura Prep
- hakurikijwe ibisabwa na Queensland kindergarten learning guideline (umurongo ngenderwaho wo kwiga muri kindergarten ya Queensland) ' canke iyindi Queensland Curriculum and Assessment Authority accredited learning program (gahunda y'ivyigwa yemewe n'Ubutegetsi bukora Isuzuma n'Urutonde rw'ivyigwa muri Queensland).

Mu kugufasha kumenya gahunda yemewe na Lata ya Queensland, raba ahanditse 'Kindy tick of approval' nigishushanyo kiri musi.

# Kindy y'ubuntu kuva 2024

Lata ya Queensland yemereye imiryango yose ya Queensland kindy y'ubuntu.

Kindy izoba y'ubuntu kubana bakwije imyaka biga mubigo vyemewe na Leta bitanga kindy kuva 1 Nzero 2024.

Nukuvuga ni amasaha 15 mundwi, indwi 40 mumwaka, ya kindy y'ubuntu yigishwa n'umwarimu yanonosoye kwigisha abana bakiri bato.

Imiryango ishobora guhitamwo kindy muri kindergarten y'ibihe bimwe (sessional kindergarten) canke kindergarten mu bwitwararitsi bw'umusi wose (kindergarten in a long day care).

Rondera kindy y'ubuntu ikwegereye,raba kuri :
**www.qld.gov.au/FreeKindy**

230233